Washington State Department of Social & Health Services

Amahitamwo yawe yo Gukusanya Infashanyo z' Abana mugihe uhabga infashanyo nfatakibanza z' ihabga Imiryango Ikenye (TANF)

Your Options for Child Support Collection while Receiving Temporary Assistance for Needy Families (TANF)

Kiretse mugihe atari k' umutekano wawe chance abana bawe, amategeko asaba ko ufasha Ibiro vy' Infashanyo mu Mibano n' Amagara (DSHS), Igisata c' Infashanyo z' Abana (DCS), gukusanya infashanyo z' abana mugihe uhabga wewe n' abana bawe infashanyo ya TANF. Igisata ca DCS gishigikira neza cane ishigwa mu ngiro ry' infashanyo mugihe uhabga infashanyo za TANF. Izi nfashanyo harimwo igisata ca DCS kwemeza abandi bavyeyi gushira mungiro amasezerano yo gutanga asuranse y' amagara hamwe no gutanga umugabane wabo w' amafaranga arihwa kw' ivugwa ry' abana bawe batagira asuranse.

Niki nshobora gukora mu gufasha DCS ikusanye infashanyo z' abana?

- Tanga amazina y' umuvyeyi (abavyeyi) w' umwana (b' abana).
- Duhe amakuru ashobora kudufasha kuronka umuvyeyi (abavyeyi).
- Dufashe mu kwerekana ivyemeza abari umuvyeyi (abavye) w' umwana (w' abana).

Ni kuberiki ari ngirakamaro kumenya abavyeyi no gukusanya infashanyo z' abana?

- Kubera infashanyo z' abana z' ishobora kugufasha kunyurwa bwite.
- Kubera biha umwana (abana) bawe kamere y' amagara y' umuryango wabo mukumunya umuvyeyi wabo uwariwe.
- Kubera biha umwana wawe uburenganzira bg' amategeko bgo kuragwa, umutekano mu mibano, inyungu z' abakoreye igisirikare hamwe n' ubundi burenganzira bg' inyungu zo muri leta.

N' igiki gishobora kuba mugihe ntifatanije na DCS?

Mugihe udafashije DCS mu gukusanya infashanyo z' abana hama ukaba utemejwe mu "Mpamvu Nziza", amafaranga uhabga ashobora gupunguzwa ku biciro 25%.

Nigihe nyabaki ari VYIZA *kuti* fatanisha na DCS?

Si ngombga ko ufasha mu gukusanya infashanyo z' abana mugihe umukozi wo mu Biro vy' Infashanyo z' Imiryango Ituye Hamwe (CSO) agena ko ufise impamvu nziza yo kudafasha. Ibituma vy' Impamvu Nziza ni:

- Ufise ubgoba ko wewe canke umwana (abana) bo mw' ibungabunga ryawe mushobora k' ubabazwa bikomeye m' uburyo bg' umubiri canke bg' ivyiyumviro.
- Umwana y' avutse mu nzira zo gufatwa kunguvu muguhuza igitsina canke guhuza igitsina n' umuntu wo m' umuryango.
- Wamaze gutangura ibikogwa vy' uburezi, canke uriko ufata ubugiranama (mu gihe c' amezi atatu) n' ishirahamwe ryerekeye gutunga umwana ku vyerekeye uburezi.

N' iki ntegerezwa guha umukozi wo mu biro vya CSO mu kwerekana ko nfise Impamvu Nziza yo kudafasha?

- Anyandiko zawe zashizweko umukono zerekana ubgoba bgawe n' ibitekerezo vyawe
- Ivyanditswe ivyarivyo vyose harimwo ivugwa, igipolisi, canke ibindi vyanditswe vyerekeye ikibazo c' umutekano wawe, mugihe Bihari.

Birashoboka ko nguma ndoka ikusanywa ry' infashanyo y' abana kandi ntifatanishije na DCS?

Ego kubera hari inzego z' ibiri zitandukanye ushobora gucagura; Ugwego A canke Ugwego B.

- Ugwego A: *Ntu zo* zosabga kw' ifatanisha na DCS. Infashanyo z' abana ntizokusanywa.
- Ugwego B: Ntu *zo* sabga kw' ifatanisha na DCS *ariko* infashanyo z' abana zizo kusanywa hama aderesi yawe izuguma ari ibanga.

N' iki ntegerezwa gukora mugihe DCS itakiri m' umutekano mu gukusanya infashanyo z' abana?

- Ganira ahonyene n' umukozi wo mu biro vya CSO hamwe n' umukozi akurikirana kesi yawe wo mu gisata ca DCS. Babgire bose ivyerekeye ingorane mu bihe vyawe.
- Saba Impamvu Nziza mu kw' uzuza rino shusho.
- Mugihe ubu ufise Impamvu nziza y' Ugwego gwa B, zirikanya guhindura uje ku gwego gwa A.
- Saba gutumwa k' urubuga canke umuyobozi mvugizi mu vyerekeye ubugizi bganabi mu miryango ibana hafi.

N' iki gishobora kuba mugihe ntahuza n' ingingo y' Impamvu Nziza ya CSO?

Urafise uburenganzira bgo gusaba Ubuyobozi muvyo kw' Umvirizwa mu vyerekeye iyo ngingo y' Impamvu Nziza. Ubuyobozi muvyo kw' Umvirizwa n' isuzumwa ry' ingingo y' Impamvu Nziza. Raba "Gahunda z' Ubuyobozi muvyo kw' Umvirizwa" kur' upapuro rukurikira ku vyerekeye amakuru ahagije y' ubuyobozi bwo kw' umvirizwa.

Mugihe ufise ibibazo ivyarivyo vyose vyerekeye gufasha mu gukusanya infashanyo z' abana, urasabga kubaza imbere yo gushira umukono kuriyi shusho. Shirako akamenyetso kunyandiko imwe gusa kuri izo ziri musi.

☐ Ndizera ko ari umutekano ku bganje n' abana banje ko DCS ikusanya infashanyo z' abana. Ndatahura ko ntegerezwa gufasha DCS mugukusanya infashanyo z' abana kandi ko mugihe ntafashije amafaranga mpabga azopunguzwa ku biciro 25%.

☐ Ndafise impamvu nziza yo kudafasha. Urasabga gusobanura impamvu yawe m' ukwerekana ubgoba n' ibitekerezo vyawe k' urupapuro rukurikira.

Urasabga gusobanura impamvu yawe yo gusaba Impamvu Nziza mu kwerekana ubgoba n' ibitekerezo vyawe.

Ndarahiye ko inyandiko yo hejuru ariyo ukuri.	
IZINA RY' UMUKIRIYA (RYANDITSWE)	N' UMERO Y' IKIRANGA UMUKIRIYA
UMUKONO W' UMUKIRIYA	ITARIKI

Natanze k' umukiriya ikopi ry' iyi shusho.	
UMUKONO W' UMUKOZI	ITARIKI
IZINA RY' UMUVYEYI ATABANA N' UMWANA	N' UMERO Y' IKIRANGA UMUKIRIYA
IZINA RY' UMWANA	N' UMERO Y' IKIRANGA UMUKIRIYA
IZINA RY' UMWANA	N' UMERO Y' IKIRANGA UMUKIRIYA
IZINA RY' UMWANA	N' UMERO Y' IKIRANGA UMUKIRIYA

Gahunda z' Ubuyobozi muvyo kw' Umvirizwa

1. Urashobora guterefona Ibiro vyawe vy' Infashanyo y' Imiryango yo Mukarere kugira usabe isuzumwa ry' ikesi yawe.
2. Ushobora guterefona Ibiro vyawe vy' Infashanyo y' Imiryango yo Mukarere canke wandikire Ibiro vy' Office of Administrative Hearings, PO Box 42489, Olympia, WA 98504-2489 mu gihe c' imisi 90 kusaba kw' umvirizwa. Mugihe usaba kw' umvirizwa, DCS ntizotangura gukora kw' ikesi yawe mpaka ingingo yanyuma yo kw' umvirizwa ifashwe.

   Umu avoka canke uwundi muntu wicaguriye arashobora kuguserukira mu cicaro co kw' umvirizwa, canke urashobora kw' iserukira k' ubgawe.

Mbe noshobora guhabga ingiranama y' amategeko canke ubuserukizi?

Ushobora guterefona umurongo w' infashanyo z' amategeko mu gihugu cose kuri 1-888-201-1014.